Umuryango wawe n'umutekano ku mwana

IMIRYANGO IRIMWO UMUTEKANO KU BANA

Leta ya Australia yibazako abana ari ab'umuryango kandi ko umuryango arico kibanza umwana akurira mwo.

Leta yizera ko abavyeyi bafise uburenganzira bwo gufata ingingo y'ukuntu umwana ashobora kurerwa ata wundi muntu avyitaye mwo mu gihe abana bakingiwe bihagije kandi bari mu mutekano.

Rimwe na rimwe Leta irashobora kwinjira mu kurerwa kw'umwana mu muryango kandi igafata n'ingingo zo gukura umwana mu muryango ikamutwara. Ubu Bushikiranganji babwita Ubushikiranganji bw'Abanyagihu n'ukwitaho Umutekano w'Umwana kandi rimwe na rimwe bakavuga "Ubushikiranganji"canke "Umutekano w'Umwana".Igikorwa cabo nko muri Queensland ni ugukingira abana kugira ntibahohoterwe.

Imiryango ifise inkomoko mu mpunzi iragira umutima uhagaze ku gukingirwa kw'umwana n'amategeko yo muri Australia.Ibi biva ko ugukingirwa kw'umwana ni ikintu gishasha kuri bo. Birabagora cane gutegera ingene Leta ija kwita mu bintu vy'umuryango.

Itegeko rivuga ko mu gihe *Ibiro bijejwe Umutekano* w'Umwana bironse amakuru ko umwana ashobora guhohoterwa ibi biro bica vyihuta kuraba ko ibivuzwe ari vyo.

Aya mategeko afata bose ni ukuvuga ko adakora ku mpunzi gusa.

Ugutanga amakuru ajanye nuko umwana ashobora guhohoterwa ashobora gutangwa n'uwariwe wese afise impungenge yuko umwana ashobora guhohoterwa harimwo umwigisha, umubanyi, umugenzi, incuti.Muri Queensland, abahinga bamwe bamwe nk'abanganga, abigisha, abaforoma bategerezwa gutanga amakuru yerekeranye nuko umwana ashobora guhohoterwa.

Iyo hari inkuru zitanzwe ko umwana wawe adakingiwe bikwiye, umuyobozi ajejwe kuraba Umutekano w'Umwana aca agira itohoza akaraba ko amakuru yatanzwe afise ishingiro.Araheza rero akaza mu muryango akabaza abavyeyi, abana canke abandi bo mu muryango

kugira amenye ko umwana yoba ahohoterwa, ko ari mungorane zikomeye cake ko atitaweho uko bitegerejwe.

Biratahurika ko ushobora kugira ubwoba iyo umuntu avuye hanze aza kukubwira ivyo ukora ku vyerekeye abana bawe.Ni vyiza rero ko uguma utekanye kandi ukagerageza kwumva igituma Leta igira umutima uhagaze mu gihe umwana adakingiwe bihagije.Ni uburenganzira bwawe ko usaba umusobanuzi iyo utavyumva neza. Mu gihe cose gerageza usabe impanuro ijanye n'ivy'amategeko kandi ntihagire ico ushirako umukono iyo utavyumva neza.

Iyo Umutekano w'Umwana wizera ko umwana atari mu ngorane zikomeye canke adakeneye uwumufasha, ingorane zose zirashora gutorerwa umuti, barashobora gutuma umuryango gufashwa canke guhabwa impanuro.Ibi bizotuma wiga izindi nzira nshasha zo kurera abana bawe.

Umuyobozi ajejwe kuraba umutekano w'abana arashobora gusaba ko yoza arabonana n'abavyeyi canke akaza araza muhira iwawe kugira arabe ko hari intambwe nziza iriko iraja imbere. Mu gihe impungenge zose zashize, Igisata kijejwe kuraba Umutekano w'Umwana ntigisubira kuvyita mwo.

Iyo ico gisata cizera ko ivyo abana bakeneye bidashikwa ko iyo abana baba muhira, abana Leta irashobora kubakwaka vy'agateganyo.Ico Gisata ca Leta gicungera umutekano w'abana kirashobora gushira uwo mwana mu bandi Bantu bo mu muryango iyo bishoboka.

Iyo abana bawe barabwa n'uwundi muntu wo mu muryango, ni nkenerwa cane ko umuvyeyi aguma avugana n'umwana kandi umuvyeyi akaguma avugana n'ico Gisata kijejwe kuraba

Umutekano w'Umwana kandi akitaba n'amanama agirishwa n'ico gisata.

Mu gihe witavye ayo Manama ushobora Kwitwaza umugenzi kugira agushigikire.

Iyo ico Gisata gicungera Umutekano w'Umwana kiriko kirakurikirana ingene Abana bafashwe:

- Misi yose saba uwusobanura indimi mu zindi agufashe.
- Gerageza umenye igituma ico Gisata gitewe umutima uhagaze n'umutekano w'umwana wawe ubibaze ukoresheje ukwandika.
- Saba uwugufasha ivy' amategeko ataco urinze gutanga.
- Ntihagire ikintu na kimwe ushirako umukono utagitahuye neza.
- Gerageza urondere umuntu agufata mu mugongo iyo ugiye muri ayo Manama .
- Guma ugiriranira imigenderanire n'umwana.
- Iyo udashimishijwe n'ingingo ico gisata cafashe ntuhore, vuga ko utavyemeye kandi birashobora gushika ko iyo ngingo isubirwa mwo.
- Cisha mu buryo bwo kwandika umenyeshe ko utashimishijwe n'ingene ico gisata cavyifashe mwo.
- Woba ugize ubwengekubaza ayandi makuru ubicishije munyandiko. Ibi bishora kuguha akaryo ko kuronka uyundi muntu ashobora kugusobanurira ibiriko birakorwa n'ikibituma.

Abana bose barakeneye umutekano, amagara meza n'umunezero mu buto bwabo.

Ibi ni bimwe mu bibanza ushobora gusabira mwo uwogufasha iyo utumva neza ibiriko birakorwa ku mwana wawe:

- **Igisata gisobanura indimi muzindi (TIS) inomero yo mu gihugu cose ni:**
  131 450
  Iki gisata gikora amasaha 24 ku musi, imisi indwi ku ndwi.
- **Ubushikiranganji bw'abanygihugu bujejwe kwitaho umutekano w'abana, hamagara kuri:**
  1800 811 810 / Inyuma y'amasaha y'akazi hamagara kuri: 1800 177 135
  Izi nomero zose zirafasha ku Bantu bafise ingorane zo gukingira abana
- **Igisata c'ubutungane gitanga impanuro k'ubuntu arico"Legal Aid" muri Queensland**
  1300 65 11 88
  Kiraguha amakuru mu vy'amategeko k'ubuntu, impanuro kandi kikanaguserukira mu butungane.
- **Igisata c'ubutungane ku bakenyezi**
  (07) 3392 0670 / 1800 677 278
  Ikigo c'ubutungane ku bakenyezi.Baratanga insiguro kubijanye n'amategeko hamwe rero n'ibintu bikunda gushika mu butungane bagaca bashobora kukurungika mu bindi bisata canke ku banyabutungane bigenga.
- **Igisata c'ubutungane kiraba impunzi n'urujanuruza rw'abantu n'ibintu, telefone:**
  (07) 3846 3189
  Baraguha impanuro muvy'ubutungane kandi ku buntukuvyerekeye urujanuruza rw'abantu n'ibintu n'impunzi.
- **Umurongo wa telephone ku bavyeyi, telephone ni:**
  (07) 3369 1588 / 1300 30 1300 (8am-10pm, imisi ndwi ku ndwi)
  Hari telefone itanga impanuro mugufasha abantu mu gutorera umuti ingorane abavyeyi bafise.
- **Porogaramu ya Qld itanga imfashanyo ku bononewe ubuzima n'abahahamutse arico bita mupfunyapfunyo (QPASTT) telefone ni:**
  (07) 3391 6677
  ni amaporogaramu afasha imiryango gutorera umuti amatati ari hagati y'abantu batanganya imyaka kandi batumvikana no kuvy'imico bagaheza bagahabwa impanuro, bagashirwa mu migwi, bagahabwa n'amakuru y'ukwumvikana.

MDA Multicultural Development Association

This document was developed by Multicultural Development Association (MDA) with funding from the Australian Government Department of Families, Housing, Community Services and Indigenous Affairs (FaHCSIA)